# 228: Bahungu, bakobga, ni muze mwese

1. Bahungu, bakobga, ni muze mwese
   Tuj' i Betelehemu mu ruhweza ;
Turab' ic' Umukama wo mw’ijuru
Yaduhaye twese mur' iri joro.

2. Dushim' Umwami hamwe n'abungere
   Aryamye mu vyatsi nk' uworoheje,
Dusang' abavyeyi banezerewe,
Dushimir' Imana hamwe n'intumwa.

3. Kandi mupfukamir' Umwami mwiza,
   Mumushime kukw’aduh' ubugingo,
Muvuze n' impundu hamwe n' intumwa,
Mubgir' abandi bos' ivyo mwabonye.

4. Twese tumushime, wa Mwami mwiza.
   Ni tumuhimbaze, kukw’adukunda
Dufatanye twese, tuvuz' impundu,
Tubgir' abatamuzi yukw’akiza.

Visit us at burundi.indirimbo.com